Kirundi

BreastScreen SA

Caring for women from ocean to outback

Woba umenya ivyerekeranye n'igipimo ca kanseri y'amabere kuri gusa?

Kanseri y'amaberi ni kanseri usangana abapfasoni benshi.

Nimba uri umupfasoni afise imyaka 40 y'amavuko, uremerewe kuronswa igipimo c'amabere kuri gusa bita (breast X-ray) muri BreastScreen SA kumpera ya buri myaka ibiri.

Igipimo c'amabere ubu nico conyene cerekana ukungene kanseri y'amabere ikingirwa kare, imbere yuko ibimenyetso bitanguye kuboneka.

Igitigiri c'abantu barwaye kanseri y'amaberi kiriyongera buri mwaka wose, mugabo ukuyibona kare n'ivyingirakamaro kandi biroroshe kandi bifise ubuvuzi bukomeye.

Amagara meza ategerezwa kuba intumbero yambere.

Isango kuri clinike yacu bufata iminota 10 gusa kandi abakozi bacu babapfasoni n'abahinga bakoresha igipimo ca radio bazogira vyose kugira ivyo uzi bimererwe neza uko bishoboka kose.

Gusaba isango canke kumenya amakuru arambuye, twakure kuri 13 20 50. Imfashanyo zo gusigura kuri gusa ziraboneka urinze uzisaba.

Government of South Australia

SA Health

Ukuri n'Amakuru y'Ingirakamaro

- Kanseri y'amabere niyo iboneka cane gose mubapfasoni. Umupfasoni 1 kuri 10 atuye muri Australiaya y'Ubumanuko barwara kanseri y'amabere imbere y'imyaka 75 y'amavuko.
- Inkurikizi zo kurwara kanseri y'amabere iriyongera ku myaka. Ipurusa 75% zama cesi ya kanseri y'amabere isuzumwa muba pfasoni bafise imyaka 50 y'amavuko.
- Abapfasoni 9 kuri 10 batorwamo kanseri y'amaberi ntibafise kahise k'umuryango yiyi ndwara.
- Igipimo c'amabere bita (breast X-rays) ubu nico conyene cerekana ukungene ubona kanseri y'amaberi hakiri kare, imbere yuko umupfasoni abona ikimenyetso icarico cose.
- Ntugomba urupapuro rwanditwe na dogiteri kugira ngo uronke isango kuri clinike ya BreastScreen SA.
- BreastScreen SA irafise clinike na centre 3 zimurwa zigenda muntara z'igihugu buri imyaka ibiri.
- Kumbure niyo ufise igipimo c'ibihe vyose n'ingirakamaro kuri wewe ko "wama usuzumwa". Ufate akanya uze "urabe" ibisanzwe kandi "wumvirize" amabere yawe kandi ibi bizogufasha kumenya impinduka zishobora kuboneka igihe icarico cose.
- Ingirakamaro: Hamwe ubonye impinduka iyariyo yose akarorero akavyimba gashasha canke kuvyimba gose, kiyongera ubunini canke ukungene gateye ku mabere, ukuva mumoko y'ibere, ukubabara canke uguhinduka k'uruhu, saba isango kugira uyage ibi hamwe na dogiteri wawe udatevye.
- Inkuru nziza ni uko igitigiri c'ukubaho kubarwaye kanseri y'amabere ciyongera buri mwaka. Ibiharuro vyavuba vyerekana ko abapfasoni batowemo kanseri y'amabere bashika ipurusa 89% y'amahirwey'ukubaho nimba baratoye kanseri hakiri kare.
- Saba ubu isango muri clinike imwe yacu. Imfashanyo zacu ni kuri gusa na serivisi y'ugusigura kuri gusa iraboneka nimba uyisavye.
- Terefone 13 20 50